# Mu vy'ukuri, biri mu bimenyetso bizokwibonekeza vyerekana ko umuhero w'isi ugiye gushika: ubumenyi nya bumenyi buzogenda amazimayongo, ubujuju bwake indaro (buzogwiririrana), ubusambanyi buzokwiragira, ukunywa inzoga kuzogwiririrana, abagabo bazokeha, abagore na bo bazogwiririrana kugeza y'aho abagore mirongo itanu bahagarikirwa n'umuhagarikizi umwe w'umugabo

Mu vyakiriwe na Anasi (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Ni ukuri, ngira ndabiganire inyigisho numvise ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), nta n'uwundi n'umwe azoyibiganira atari jewe: Narumvise Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ivuga iti: "Mu vy'ukuri, biri mu bimenyetso bizokwibonekeza vyerekana ko umuhero w'isi ugiye gushika: ubumenyi nya bumenyi buzogenda amazimayongo, ubujuju bwake indaro (buzogwiririrana), ubusambanyi buzokwiragira, ukunywa inzoga kuzogwiririrana, abagabo bazokeha, abagore na bo bazogwiririrana kugeza y'aho abagore mirongo itanu bahagarikirwa n'umuhagarikizi umwe w'umugabo"".

[صحيح] [متفق عليه]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratomoye ko mu bimenyetso vyerekana ko umuhero w'isi ugiye kugera, ari uko ubumenyi bujanye n'amategeko y'ubwislamu buzovaho (buzorerurwa) mu gupfa kw'abamenyi babushitse, ivyo bikazotuma ubujuju bugwiririrana mu bantu bwirare; icaha c'agahomerabunwa c'ubusambanyi kizosasirwa indava maze gikwiragire hose; ukunywa inzoga kuzogwiririrana mu bantu; igitigiri c'abagabo kizogabanuka maze hagwire igitigiri c'abagore; gushika n'aho umugabo umwe ahagarikira abagore mirongo itanu mu kubabeshaho abaronsa ivyankenerwa mu buzima.